
SENAT

# INAMA NKENGUZAMATEKA Y'UBURUNDI

IKINYAMAKURU GISOHOKA RIMWE MU KWEZI N° 0021 RUHUHUMA 2026



## IBIRIMWO

Icegeranyo c'ivyaranguwe n'Urwego rw'Umuhuza w'Abarundi mu mwaka w'2025
Urup. 3



Abakozi b'Inama Nkenguzamateka bahamagarirwa kwama bisunga itegeko ribagenga mu mirimo bajejwe
Urup. 5



Ibirori vyo gusozera icese ibikorwa vy'isasa risanzwe rya Kigarama 2025
Urup. 6



Sénat du Burundi, Avenue du peuple Murundi,
www.senat.bi | senat@senat.bi
+257) 22 40 50 23,(+257) 22 405008
Burundi Senat

# Uruganda rwo kurimbura ingendo zakozwe n'abakenguzamateka mu makomine

Inama Nkenguzamateka yaratunganije uruganda, ku wa 26 Ruhuhuma 2026, i Gitega, rwayihuje n'abasitanteri hamwe n'abarongoye inama z'amakomine, mu ntumbero yo kurabira hamwe aho ishirwa mu ngiro ry'ivyavuye mu ngendo abakenguzamateka bagize, mu makomine muri Gitugutu 2025, rigeze.



*Intumwa ya Buramatari wa Gitega muri ivyo bikorwa ( uwa mbere uva i bubamfu), abagize Ibiro vy'Inama Nkenguzamateka*

Ibikorwa vy'urwo ruganda, vyari birongowe n'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Nyeniteka Gervais Ndirakobuca, ari kumwe n'ivyegera vyiwe, ba Nyakwubahwa Générose Ngendanganya na Clotilde Kampimbare, abakenguzamateka hamwe na bamwe mu bakozi b'urwo Rwego.

Urwo ruganda rwaranzwe ahanini n'ugukurikirana icigwa cerekana imyitwarariko yashikirijwe n'amakomine igihe abakenguzamateka bayagendera muri Gitugutu 2025, hamwe n'ikiganiro hagati y'abagize Ibiro vy'Inama Nkenguzamateka n'izo ndongozi zo mu makomine.

Mw'ijambo ryo kwugurura ivyo bikorwa, Nyeniteka Ndirakobuca yaribukije abo barongoye abandi ku rwego rw'amakomine impanuro bahawe igihe Inama Nkenguzamateka yariko iragendera amakomine, aho basabwe kwama basoma amabwirizwa abagenga mu bikorwa bajejwe mu ntumbero yo gutunganiriza neza abenegihugu.

Muri iki gihe Reta yashize mu ngiro poritike yo kwegereza ubutegetsi abenegihugu, Umukuru w'Inama Nkenguzamateka yasavye izo ndongozi z'amakomine kwama ziraba neza ko ata karere na kamwe k'aho zijejwe gasigara inyuma mu gutunganya no mu gushira mu ngiro imigambi y'iterambere.

Yahamagariye izo ndongozi kwama zizirikana ko muri iki gihe, ubutegetsi bwamaze kwegera abenegihugu kuko n'aho intara n'amakomine vyagabanijwe, amazone n'imitumba yarongerejwe, kandi ko ubu ico abenegihugu bakeneye ari ukworoherezwa mu kuronswa ivyo bakeneye bari mu mazone iwabo, bisigura ko ivyo bahora baronderera mu makomine ubu babisanga mu mazone abegereye.

Yabahamagariye kandi kwama barangwa n'ukwicisha bugufi mu mabanga bajejwe yongera abibutsa ko bafise uruhara rudasanzwe mu gutunganiriza abenegihugu, mu gutsimbataza amahoro, intwaro ibereye n'iterambere ridakumira mw'ikomine hamwe no kubera abasuku abo barongoye.

Nyeniteka Gervais Ndirakobuca, yahanuye izo ndongozi kwama zirinda na ntaryo gukora nabi kandi zibuka ko ni zakorera mu bumwe zigize urunani, zisunze amategeko, zikitaho ineza y'umwenegihugu, bizotuma umugambi wo kwegereza ubutegetsi abenegihugu ugira ikimazi, ndetse bishikane igihugu ku mbonokazoza cihaye.



*Abari bitavye ibikorwa vy'urwo ruganda*

Nyeniteka arongoye Urwego rw'Inama Nkenguzamateka ruserukira abenegihugu, yaribukije kandi izo ndongozi ko mu mabanga zijejwe zihamagariwe gukunda abo zirongoye, kwitanga zitiziganya, kwumviriza bose, kudatwarwa n'ishavu no kuba abahuza.

Mw'ijambo ryo gusozera ivyo bikorwa, Nyeniteka Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, yarakengurutse intambwe ayo makomine agezeko mu bijanye n'iterambere. Yamenyesheje ko Inama Nkenguzamateka igiye kwugurura ibiro mu ntara zose, vy'abakozi bayo bajejwe kwakira n'ukuyishikiriza imyitwarariko y'abenegihugu. Yasiguye kandi ko urwo Rwego rugiye gushiraho urubuga hwaniro ruzofasha abo batowe n'abandi benegihugu bose bavyipfuza, gukurikirana ibikorwa urwo rwego rurangura.

# Icegeranyo c'ivyaranguwe n'Urwego rw'Umuhuza w'Abarundi mu mwaka w'2025

Kw'igenekerezo rya 04 Ruhuhuma umwaka w'2026, Umuhuza w'abarundi, Nyakwubahwa Aimée Laurentine Kanyana yarashikirije Icegeranyo c'ivyaranguwe n'Urwego arongoye mu mwaka w'2025, mu nama y'abakenguzamateka bose yari irongowe n'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Nyeniteka Gervais Ndirakobuca.



Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Nyeniteka Gervais Ndirakobuca

Nyakwubahwa Kanyana yamenyesheje ko mu mwaka w'2025, Urwego rw'Umuhuza mu vyo rwaranguye harimwo ugukinga amatati hagati y'abenegihugu no gukinga amatati hagati y'abenegihugu n'inzego za Reta hamwe no gukorana n'inzego z'abahuza b'ibindi bihugu.

Mu ntumbero yo kugira ngo bashobore gutahura ico cegeranyo, abakenguzamateka barabajije Umuhuza w'abarundi ibibazo, bimwe muri vyo bikaba vyari bijanye no gusaba ko umukenyezi yohabwa ikibanza mu migambi iba iriko irarangurwa, kumenya ingene Urwego rw'Umuhuza rukorana n'Umurwi wigenga w'agateka ka zina muntu, CNIDH; kumenya ryari amadosiye y'abenegihugu yakirwa canke atakirwa, ico Urwego rw'Umuhuza rukora mu gihe abarwituye badashoboye kwumvikana n'ingene bafasha abapfungwa mu gihe basanze agateka kabo katubahirijwe mu mabohero.



*Nyakwubahwa Générose Ngendanganya, Icegera ca mbere c'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka*



*Nyakwubahwa Clotilde Kampimbare, Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka*

Ku vyerekeye gusaba ko umukenyezi yohabwa ikibanza mu migambi iba iriko irarangurwa, Umuhuza w'abarundi yashikirije ko inama nyinshi zatunganijwe kugira ngo bahimirize abakenyezi kwijukira ibikorwa vy'iterambere.

Iyo abantu batumvikana ku mvo iyi canke iriya, yavuze ko babanza kubahanura, bidakunze ko haba umwumvikano hagati yabo naho, baca babereka sentare bitura kugira ngo ibatunganirize.
Ku bijanye n'ingene Urwego rw'Umuhuza rukorana n'Umurwi wigenga w'agateka ka zina muntu, CNIDH, Nyakwubahwa Kanyana yasavye ko inzego za Reta zikora bimwe zoja hamwe kugira ngo igihugu gishike kw'iterambere rirama n'agateka ka zina muntu gakingirwe neza.

Ku madosiye y'abenegihugu yakirwa canke atakirwa, yavuze ko urwo rwego rwakira gusa amadosiye aba ataraja mu rwego rw'ubutungane.
Ku bapfungwa bafatwa nabi mu mabohero, yashikirije ko Urwego rw'umuhuza ruhanura inzego za Reta zikorera muri ico gisata kugira ngo zikore neza mu kwubahiriza agateka ka zina muntu.



*Abakenguzamateka mu ngoro y'amakoraniro*

Kugira ngo babandanye kurushirizaho gutahura ibiri muri ico cegeranyo c'ivyaranguwe n'Urwego rw'Umuhuza mu mwaka w'2025, abakenguzamateka barashikirije ibindi bibazo bijanye no gushaka kumenya ingorane nyamukuru basanze mu gisata c'ubutungane, n'ivyo Urwego rw'Umuhuza rumaze gukorana n'izindi nzego z'abahuza zo muri Afrika yo hagati.

Bimwe mu ngorane basanze mu gisata c'ubutungane, Umupfasoni Kanyana yatanze akarorero k'abacamanza bamwe bamwe batagira akarangamutima aca asaba abajejwe intwaro gufasha mu gutorera umuti ibibazo vy'abenegihugu.



*Nyakwubahwa Aimée Laurentine Kanyana, Umuhuza w'Abarundi*

Ku vyerekeye ivyo Urwego rw'Umuhuza rumaze gukorana n'izindi nzego z'abahuza zo muri Afrika yo hagati yashikirije ko habaye inama zabahuje, aho babasiguriye ingene urwaruka rw'Uburundi rurangura ibikorwa vyo kwiteza imbere. Baraberetse kandi uruhara rw'abakenyezi mw'iterambere n'ingene baja mu nzego z'igihugu, bongera barasigura akamaro k'Urwego rw'Umuhuza kugira ngo ibihugu bitarufise birushireho.

## Abagize Ibiro vy'Inama Nkenguzamateka barashikirijwe icegeranyo c'ivyaranguwe n'umurwi CVR



*Abagize Ibiro vy'Inama Nkenguzamateka n'umushitsi*

Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Nyeniteka Gervais NDIRAKOBUCA ari kumwe n'ivyegera vyiwe, kw'igenekerezo ry'09 Ruhuhuma 2026, yarakiriye umukuru w'umurwi wo kumenya ukuri no kunywanisha abarundi (CVR), Ambasaderi Pierre Claver NDAYICARIYE.

Uwo mushitsi yari aje gushikiriza icegeranyo c'ivyaranguwe n'uwo murwi mu kiringo c'umwaka w'2024 ushira uw'2025. Nk'uko umukuru w'umurwi CVR yabishikirije, muri ico cegeranyo harimwo intonde z'abagandaguwe n'abagiye amazimayongo mu gihe c'ihonyabwoko ryo mu mwaka w'1972.
Ambasaderi NDAYICARIYE yamenyesheje ko kuri izo ntonde hari abatariko kubera ko hariho imiryango yazimanganye, kandi ko hariho n'abatinye kuvuga kubera batewe ubwoba. Yongeye amenyesha ko icegeranyo kiramvuye kizoshikirizwa icese imbere y'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka zikoranye.



*Umukuru w'Inama Nkenguzamateka n'ivyegera vyiwe*

## Abakenguzamateka basabwa gukoresha ubuhinga bwo gutegura no kwandika neza amabwirizwa mu mirimo yabo

Ku magenekerezo ya 12 na 13 Ruhuhuma 2026, kw'Ihoteri Best Outlook iri mu gisagara ca Bujumbura muri komine Mukaza, Inama Nkenguzamateka yaratunganije uruganda rw'imisi ibiri kugira ngo abakenguzamateka na bamwe mu bakozi bo mu Nama Nkenguzamateka bahanahane ivyiyumviro ku bijanye n'ubuhinga bwo gutegura no kwandika neza amabwirizwa.



*Isanamu y'abari bitavye ivyo bikorwa*

Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Nyeniteka Gervais NDIRAKOBUCA, ariko yugurura urwo ruganda, yamenyesheje ko ivyo bikorwa vyari vyateguwe kugira ngo abavyitavye baronswe ubumenyi n'ubushobozi bukwiye mu bijanye n'ubuhinga bwo gutegura, kwandika, gusuzuma no gusesangura amabwirizwa, amategeko n'izindi nyandiko mperekeza. Yarongeye amenyesha ko izo nyigisho ari izo gufasha abazikurikiranye kumenya ingene amategeko asumbana, kandi ko zizofasha mu gutosora amabwirizwa kuva ategurwa gushika ashirwe mu ngiro.

Ariko ashikiriza ijambo ryo gusozera urwo ruganda, Umukuru w'Inama Nkenguzamateka yasavye abazikurikiranye kuja gushira mu ngiro ivyo bigishijwe no kubandanya basoma inyandiko zirimwo ivyo bahanahanyeko ivyiyumviro.



*Umukuru w'Inama Nkenguzamateka (hagati) ariko ashikiriza ijambo*

## Abakozi barangurira imirimo yabo mu Nama Nkenguzamateka basabwa kugira inyifato ibereye



*Bamwe mu bakenguzamateka bari bitavye urwo ruganda*

Kw'igenekerezo rya 25 Ruhuhuma 2026, mu nyubakwa y'amakoraniro y'Inama Nkenguzamateka yaratunganije uruganda rw'inyigisho nkarishabwenge zigenewe abakenguzamateka na bamwe mu bakozi bo mu Nama Nkenguzamateka ku bijanye n'amabwirizwa, amategeko n'izindi ngingo mperekeza zisungwa mu gutunganya ibikorwa mu Nama Nkenguzamateka.

Ibikorwa vy'urwo ruganda vyari bishimikiye ku kumenya amategeko ngenderwako mu Nama Nkenguzamateka harimwo: Itegeko ngenderwako ry'Inama Nkenguzamateka, Ibwirizwa rigenga abakozi bo mu Nama Nshingamateka na Nkenguzamateka, Igitabo ntunganyabikorwa n'ubutunzi mu Nama Nkenguzamateka hamwe n'inyifato ibereye umuntu wese arangurira imirimo mu Rwego rw'Inama Nkenguzamateka.



*Abagize ibiro vy'Inama Nkenguzamateka*

Mw'ijambo yashikirije, Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Nyeniteka Gervais NDIRAKOBUCA yatumiriye abari bitavye urwo ruganda gukurikirana neza inyigisho kuko urwo ruganda rwaje nk'inyishu ku bisabo vya benshi bivugako batazi amategeko abagenga.

Nyeniteka Gervais NDIRAKOBUCA yamenyesheje abitavye urwo ruganda ko aribo nkingi z'Inama Nkenguzamateka, aca abasaba kugira inyifato ibereye. Mu gusozera, yabahamagariye kuja gusigurira abo batwara, amategeko n'amabwirizwa abagenga kugira ngo Urwego rw'Inama Nkenguzamateka rube urw'akarorero mu gihugu.

## Inama Nkenguzamateka yaremeje izina ry'uwuzoserukira Uburundi mu makungu

Mu nama ya bose yo kw'igenekerezo rya 19 Ruhuhuma 2026 yari irongowe n'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Nyeniteka Gervais NDIRAKOBUCA, hisunzwe ingingo y'192 y'Ibwirizwa Shingiro, abakenguzamateka baremeje izina ry'Umupfasoni Spès-Caritas Njebarikanuye ryarungitswe na Nyenicubahiro Umukuru w'igihugu kugira ngo aje guserukira Uburundi mu makungu. Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo



Aho baharuriye amajwi yemejweko

Imigenderanire y'Uburundi n'ayandi makungu Edouard Bizimana, niwe yari yarungitswe na Reta gusigurira abakenguzamateka umwidondoro w'uyo yemejwe.

## Abakozi b'Inama Nkenguzamateka bahamagarirwa kwama bisunga itegeko ribagenga mu mirimo bajejwe

Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Nyeniteka Gervais Ndirakobuca, ari kumwe n'ivyegera vyiwe, ba nyakwubahwa Générose Ngendanganya na Clotilde Kampimbare, yaraganiriye n'abakozi b'urwo rwego, ku wa 3 ruhuhuma, umwaka w'2026, mu ngoro y'amakoraniro yarwo, i Gitega.

Nyeniteka Ndirakobuca, yashikirije ko intumbero nyamukuru y'ico kiganiro kwari ukwirimbura, mu kurabira hamwe ivyaboroheye n'intambamyi bagize, mu kurangura imirimo bajejwe, mu kiringo c'amezi 6 abakenguzamateka batorewe ikiringo co kuva mu mwakà w'2025 gushika mu mwakà w'2030, bari bamaze batanguye imirimo.



Abagize ibiro vy'Inama Nkenguzamateka

Yarakengurukiye abo bakozi kuko bakoze batiziganya mu kurangura imirimo bajejwe.Yabasavye kwama bisunga itegeko ribagenga, kugira ngo babandanye barangwa n'ingendo ibereye, yongera abahamagarira kwama buzuzanya mu mirimo bajejwe no kuja hamwe mu gutorera inyishu ibibazo vyadutse.

Uwurongoye urwo Rwego ruserukira abenegihugu, yasavye kandi abo bakozi kurangwa n'urukundo hagati yabo, kwirinda ico cose cobatirimutsa kikabajana mu nzira mbi, no kugumana umutima wo kwitwararika ivyo bajejwe.


Bamwe mu bakozi bari bitavye iyo nama

Yarakengurukiye abo bose bagize ico bafasha, kugira ngo abakenguzamateka bashobore kurangura neza imirimo bajejwe. Yashikirije ko mu bijanye n'akazi, abakozi bose bategerezwa kwigishanya. Ati: "Ubwo ni bwo bumwe.
Ni ho igihugu gishika ku mbonakazoza cihaye."

Yarangije ijambo ryiwe yipfuriza umwaka mwiza abakozi, anabipfuriza ko wobabera uwo inyishu ku bibazo boba bagiye barahura na vyo mu myaka irangiye.

Nyeniteka Umukuru w'Inama Nkenguzamateka yarahumurije abo bakozi, ku bijanye n'ibikoresho bimwe bimwe vy'akazi bidakwiye canke bishaje, abemerera ko ico kibazo kizotorerwa umuti buhoro buhoro.

Inyuma y'iyo nama, Inama Nkenguzamateka yaciye itunganya ibirori vyo kwipfurizanya umwaka mwiza w'2026, hagati y'abakozi bayo n'abakenguzamateka, vyabereye i Gitega.

# Ibirori vyo gusozera icese ibikorwa vy’isasa risanzwe rya Kigarama 2025

Inama Nkenguzamateka yarasozereye icese ibikorwa vy’isasa risanzwe rya Kigarama 2025, kw’igenekerezo rya 27 Ruhuhuma umwaka w’2026. Ibirori vy’uwo musi vyari bihagarariwe n’Umukuru w’urwo Rwego, Nyeniteka Gervais Ndirakobuca.




*Umukuru w’Inama Nkenguzamateka, Nyeniteka Gervais Ndirakobuca*

Mw’ijambo yashikirije, Nyeniteka Ndirakobuca yamenyesheje ko mu kiringo c’iryo sasa, Inama Nkenguzamateka yize yongera iremeza integuro z’amabwirizwa zitanu, muri zo harimwo Integuro y'ibwirizwa risubiramwo ibwirizwa inimero 1/12 ryo kuwa 24 Ruheshi 2025 ryerekeye amafaranga akoreshwa na Reta y’Uburundi, mu mwaka w’2025 ushira uw’2026.

Mu vyerekeye kugenzura ibikorwa vya Reta, yashikirije ko Inama Nkenguzamateka yatumyeko umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo imigenderanire n'ayandi makungu kugira atange umuco ku bibazo bifatiye kw'ishirwa mu ngiro ry'amasezerano yashizweko umukono hagati y'Uburundi n’ibihugu vy’abarabu birungikwamwo abagiye kurondera akazi hamwe n’uturusho mu vy'ubutunzi igihugu kiharonkera.

Nyeniteka Ndirakobuca yavuze kandi ko Inama Nkenguzamateka yashikirijwe umwihwezo w’umukuru wa Sentare ijejwe kwubahiriza amatungo ya Reta ku nteguro y'ibwirizwa risubiramwo amafaranga yategekanijwe gukoreshwa na Reta mu mwaka w’2025 ushira uw’2026 n’icegeranyo c'ivyaranguwe n'Urwego rw'Umuhuza w'Abarundi mu mwaka wa 2025.

Ibindi vyaranguwe n’Inama Nkenguzamateka harimwo ukwitaba ibirori, mu Ngoro y’amakoraniro y’Inama Nshingamateka mu Kigobe, mu gisagara ca Bujumbura, aho abashikiranganji bashasha babiri barahira imbere ya Nyenicubahiro Umukuru w’Igihugu n’abagize Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka.



*Nyakwubahwa Générose Ngendanganya*

Inama Nkenguzamateka yaritavye imisi mikuru ya Reta n’ibindi bikorwa vyo ku rwego rw’igihugu, aha twotanga akarorero k’ibirori vyabereye kuri Misiyoni y'i Buganda y’Ishengero ry’Abadivantisite b’umusi w’indwi, komine Bukinanyana y’intara ya Bujumbura, vyari vyatewe iteka na Nyenicubahiro Umukuru w’Igihugu, kw’igenekerezo rya 13 Kigarama 2025, aho Umukuru w'Inama Nkenguzamateka yifadikanije n'abayoboke mu birori vyo guhimbaza imyaka 100 yari irangiye iryo Shengero ritanguye gukorera mu Burundi ; igikorane



Nyakwubahwa Clotilde Kampimbare

c'amasengesho yo gukengurukira Imana, categuwe n'Umuryango wa Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, kuva kw'igenekerezo rya 29 gushika ku rya 31 Kigarama 2025, ku kibuga c'inkino ca ETS Kamenge, mu gisagara ca Bujumbura n'isabukuru y'imyaka 35 yari irangiye hemejwe amasezerano y'Ubumwe bw'abarundi, yahimbajwe kw'igenekerezo rya 05 Ruhuhuma uno mwaka w'2026.

Mu gisata c'inkino na ho, Umukuru w'Inama Nkenguzamateka yamenyesheje ko, kuva kw'igenekerezo rya 06 gushika ku rya 16 Kigarama 2025, barongowe n'icegera ca Kabiri c'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, abakenguzamateka bitavye inkino zahuje Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka z'ibihugu bigize Umuryango wa Afrika y'Ubuseruko, zabereye i Kampala mu gihugu c'Ubuganda.



Bamwe mu bakenguzamateka bari bitavye ibirori

Mu ntumbero yo gukomeza imigenderanire, Inama Nkenguzamateka yarakiriye abashitsi batandukanye harimwo abagize komite nshingwabikorwa mu murwi ujejwe kumenya ukuri n'ukunywanisha abarundi (CVR), uwuserukira Ibanki ya Afrika ijejwe iterambere (BAD) mu Burundi, intumwa z'Umuryango w'ubutunzi w'ibihugu vya Afrika yo hagati (CEEAC), umukuru w'umurwi wo kumenya ukuri no kunywanisha abarundi (CVR).

Nyeniteka Ndirakobuca yamenyesheje ko abagize Ibiro vy'Inama Nkenguzamateka bagendeye intara za Bujumbura, Burunga na Gitega, aho bifadikanije n'abenegihugu mu bikorwa bitandukanye vy'iterambere rusangi. Abakenguzamateka na bo nyene baragendeye intara batowemwo. Muri izo ngendo, baratekereye impanuro abenegihugu ku bijanye no kuvyara ku rugero, kugira isuku, kwijukira ibikorwa vy'iterambere, kubumbatira amahoro n'umutekano, kwijukira gutera amavoka n'ikawa no gukingira ibidukikije.



Bamwe mu bakenguzamateka bari bitavye ibirori

Mu bijanye no gutsimbataza ubucuti n'izindi Nama Nshingamateka na Nkenguzamateka, Icegera ca mbere c'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka yaritavye inama igira gatatu y'abakuru b'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka za Afrika (CoSPAL), yabereye i Rabat, mu gihugu c'Ingoma ya Maroc, kuva kw'igenekerezo rya 12 gushika ku rya 14 Kigarama 2025.

Inama Nkenguzamateka yaratunganije inganda zibiri, aho kuva kw'igenekerezo rya 02 gushika ku rya 04 Kigarama 2025, abashingamateka n'abakenguzamateka bagize imirwi yamaho ijejwe ibibazo vy'ubutunzi, bari kumwe na bamwe mu bakozi b'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka, bitavye ibikorwa vy'uruganda nkarishabwenge, rwabereye ku murwa mukuru w'intara ya Gitega mw'Ihoteri Accolade, ku bijanye no kwiga amabwirizwa yerekeye ikoreshwa ry'amafaranga ya Reta harimwo n'ibisata vy'imibano.


Bamwe mu bashitsi bari bitavye ibirori

Abakenguzamateka na bamwe mu bakozi bo mu Nama Nkenguzamateka barakurikiranye inyigisho nkarishabwenge ku bijanye n'ubuhinga bwo gutegura no kwandika neza amabwirizwa rwabaye ku magenekerezo ya 12 na 13 Ruhuhuma 2026, mu gisagara ca Bujumbura muri komine Mukaza, mu nyubako z'Ihoteri Best Outlook.


Umunyamabanga Mukuru w'Inama Nkenguzamateka (i bubamfu) n'icegera ciwe

Kw'igenekerezo rya 25 Ruhuhuma uno mwaka w'2026, Inama Nkenguzamateka yaratunganije kandi inyigisho zigenewe abakenguzamateka n'abakozi bo muri urwo Rwego ku bijanye no kwibukanya no kunonosora neza amabwirizwa n'ayandi mategeko abagenga, Inama Nkenguzamateka yarongeye iratunganya uruganda ruhuza ba Musitanteri n'abakuru b'inama z'amakomine, ku Murwa mukuru wa Poritike i Gitega, mu ntumbero yo kurimbura ingendo abakenguzamateka bagize mu makomine yose agize igihugu muri Gitugutu 2025.
Bikaba vyaribonekeje ko ibibazo bitabuze, ariko Inama Nkenguzamateka izobandanya ibaba hagufi mu gukurikirana ibikorwa vy'amakomine nk'uko ibirekurirwa n'Ibwirizwa Shingiro, amabwirizwa n'ayandi mategeko y'igihugu.

Mu ntumbero yo kurimbura ko akazi kariko kagenda neza, kw'igenekerezo rya 03 Ruhuhuma 2026, ari kumwe n'Ivyegera vyiwe, Umukuru w'Inama Nkenguzamateka yaratunganije ikiganiro ku bakozi bose b'urwo Rwego.

Mu bindi bikorwa vyaranguwe n'abakenguzamateka mw'isasa rya Kigarama 2025, kw'igenekerezo ry'08 Nzero 2026, mu nama yari irongowe n'Icegera ca mbere c'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, abakengezamateka barashikirijwe ivyegeranyo vyavuye mu ngendo zabereye mu bihugu vyo hanze y'Uburundi hamwe n'izabereye mu gihugu hagati. Bamaze guhanahana ivyiyumviro ku bijanye n'ivyo vyegeranyo, abakenguzamateka babonye ko izo ngendo zifasha mu gukomeza ubucuti n'imigenderanire hamwe no kwungurana ubwenge mu bijanye no kwiteza imbere mu bisata bitandukanye.

Yamenyesheje kandi ko Inama Nkenguzamateka igiye gushiraho abazokwunganira abakenguzamateka mu mirimo yabo, mu ntara zitanu batowemwo, kugira bababere ijisho, bazoze barakira imyitwarariko n'ibindi bibazo bihanze abenegihugu, hanyuma babishikirize abo batowe, na bo babishikane imbere ku babijejwe kugira bitore inyishu. Yaciye asaba abajejwe intwaro kuzokorana neza n'abo bakozi b'Inama Nkenguzamateka.

Umukuru w'Inama Nkenguzamateka yaribukije abakenguzamateka ko naho bagiye mu karuhuko, bidasigura ko bagiye kwicara, aca abahamagarira kuja mu ntara batowemwo kugira ngo bakorane n'ababatoye, bongere bahimirize abenegihugu kwijukira ibikorwa vy'iterambere.
Yarangije ijambo ryiwe akeza Umukuru w'Igihugu cacu aherutse gushingwa amabanga ahambaye yo kurongora Umuryango w'Ubumwe bwa Afrika. Ati : "Ni iteka ridasanzwe ku gihugu, kandi tumwipfurije kuzororanirwa muri ayo mabanga mashasha".


Bamwe mu bakozi bari bitavye ibirori

# Inama Nkenguzamateka

REPUBLIQUE DU BURUNDI

SENAT


## Uruganda rw'iyandikiro:

**Umukuru w'iyandikiro:** Ruhanga Apollinaire

**Abanditsi:** Gacuti Marie-Justine, Nimpereza Léonce, Nkunzimana Célestin

**AMASANAMU:**

Khalfan Ndayizeye
Rapahël Irakoze
Gilbert Niyongere
Prudence Ndimugakirwe
Habonayo Schem

**Gihagarariwe na Benoît NGENDAKUMANA**


## Kurikirana ikiganiro c'Inama Nkenguzamateka kuri:

1. **RTNB (TV)** : Imisi yose ku wa kane (18h 45min)
2. **RTNB (Radio)** : Imisi yose ya gatandatu (9h30min)
3. **Rema (TV)** : Imisi yose ku wa kabiri (21h 00min)
4. **Rema (Radio)** : Imisi yose ku wa mbere (17h30min)


Sénat du Burundi, Avenue du peuple Murundi,B.P.114 Gitega, Tél: (+257) 22 40 50 23,(+257) 22 405008,Site web:www.senat.bi